# Itegeko ribuza kurenganya abantu hisunzwe urukoba

Banyakwubahwa bavyeyi n'abarezi

Igisata c'Indero n'Ubumenyi kiriyamirije uburyo bwose bw'ukurenganya abandi hisunzwe urukoba kandi kiriyemeje kurandurana n'imizi uburyo bwose bwo kurenganya abantu hisunzwe urukoba mu mashuri ya reta yo muri NSW. Igisata ca Anti-Racism Policy (Amategeko arwanya akarenganyo hisunzwe urukoba) gishingiye ku kuraba neza yuko ata munyeshuri n'umwe, umukozi n'umwe, umuvyeyi, umurezi canke umuntu wo mu kibano aca mu vyo akarenganyo gashingiye ku rukoba muri iryo shuri ryose.

Iryo tegeko risaba abantu bose bo mu kibano c'iryo shuri gufasha mu kurwanya akarenganyo gashingiye ku rukoba mu kwerekana ukwubaha imico kama, ururimi n'amadini y'abandi, hamwe no mu kwigenza mu buryo no mu nzira zishira imbere ukwemerana n'ukubana amahoro mu kibano c'ishuri.

Ishuri ryose rirafise umukozi ajejwe kurwanya akarenganyo gashingiye ku rukoba (Anti-Racism Contact Officer (ARCO)) yavyigiye kugira ngo afashe mu kurwanya akarenganyo gafatiye ku rukoba hamwe no gushigikira ikibano c'ishuri igihe baba bariko baritwara ku bijanye n'akarenganyo gashingiye ku rukoba mu mashuri. Ku zindi nkuru zirengeye izi ku bijanye n'iryo tegeko hamwe n'uruhara canke igikorwa ca ARCO raba Anti-Racism Policy - Information for parents and carers (itegeko rigwanya akarenganyo gafatiye ku rukoba – Inkuru ku bavyeyi no ku barezi).

Murakoze kudufasha kugumana ikibano ciza c'ishuri aho ubwoko bwose bw'akarenganyo gafatiye ku rukoba karanduranwa n'imizi. Usabwe kuduhamagara nimba ivyo uriko uracamwo ubwawe, canke umwana wawe vy'akarenganyo gafatiye ku rukoba, canke nimba warabonye n'amaso yawe umuntu uwo ari we wese ariko ararenganywa hisunzwe urukoba rwiwe mw'ishuri yacu, canke nimba izindi nkuru zirengeye izi canke ukundi gushigikirwa woba ushaka.,

Uwawe

Umuyobozi

## Uwufasha mu gusobanura

Nimba wipfuza kuronka izindi nkuru kandi ukaba ukeneye umusobanuzi agufasha gushikira ishuri canke umuyobozi usabwe guhamagara ibikorwa vy'ubusobanuzi kuri telephone kuri 131 450 uce usaba umusobanuzi mu rurimi rwawe.

Bwira uwo ari ku mashini inomero za telephone y'ishuri kandi uwo ari kuri iyo mashini azoca aterefona ishuri maze akuronkere umusobanuzi wo ku murongo wa telephone agufasha muri ico kiganiro cawe.

Nta mahera uzosabwa kuri ivyo bikorwa vy'ugusobanuza mu rundi rurimi.